ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI ‘’ITEKA‘’

***Ryemejwe n’itegeko nshikiranganji n°530/0273 ryo kuwa10 Munyonyo1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa6 Ruhuhuma1991***

# *ICEGERANYO C’UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI « ITEKA » KU NYIFATO Y’AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI KUVA MU KWEZI KWA NZERO GUSHIKA MURI NTWARANTE 2026*







Uwo uri wese ubahirizwa

*Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w’ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva kuwa 10 Kigarama 2015.Kuva muri Kigarama 2015 gushika kuwa 29 Ntwarante 2026, abantu bashika 861 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, n’imiburiburi 86 barasubiye kuboneka abandi777 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w’ igikorwa c’ishirahamwe ry’ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y’uBurundi n’imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero.*

**Ishirahamwe Iteka:**

- **« Ni umunywani w’ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afrika vyegwa n’agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n’urunani mpuzamakungu rw’amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu(FIDH),**
- **Rifise akaranga ko kwihweza imbere y’umugwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.**
- **rigizwe n’Inani mpuzamashirahamwe 17 ku ntara hamwe n’ibisata 32 ».**

[1] *https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54*


RWANDA
BUJUMBURA
BUTANYERERA
BUHUMUZA
GITEGA
LAKE
TANGANYIKA
DRC
BURUNGA
TANZANIA
N
E
S
W

# URUTONDE RW'IBIRIMWO


*IMPFUNYAPFUNYO*.....4

*I. INTANGAMARARA* .....5

*II. AMABI Y'IHONYANGWA RY'AGATEKA KA ZINA MUNTU*.....8

*II.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*.....8

*II.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA* .....8

*II.1.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE* .....8

*II.1.1.2. ABANTU BANYURUJWE N'ABABUZWE IRENGERO* .....11

*II.1.1.3.UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAKURWA* .....13

*II.1.1.3.1. UKUBOREZWA IGUFA,UGUPFUNGWA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI ATAGIRA IZINA* .....13

*II.1.1.3.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATWA KU NGUVU* .....16

*II.1.2. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO* .....18

*II.1.2.1. UGUHAGARIKA HAMWE N'UGUPFUNGWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*.....18

*II.2. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI N'IMICO* KAMA.....20

*II.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI* .....20

*II.2.2. UBURENGANZIRA BW'INDERO*.....20

*II.3. UBURENGANZIRA KU MAGARA* .....21

*III.UGUSOZERA N'IBISABWA*.....23

# *IMPFUNYAPFUNYO*

**AGNU** : **Inama nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe**

**CDP** : Ihuriro ry'abakunda igihugu

**CNDD-FDD** : *Inama y'igihugu iharanira demokarasi-urunani rukingira demokarasi*

Inama y'igihugu

**CNL** : *Ihuriro ry'igihugu riharanira ukwidegemvya*

**UPRONA** : *Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu*

**DESC** : Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama

**FRODEBU** : *Urunani ruharanira demokarasi muBurundi*

**PNB** :Igipolisi c'igihugu c' u Burundi

**SNR** : Igendereza ry'igihugu

**TGI** : Sentare nkuru

**RDC** : *Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo*

**M23** : Umuhari wo kuwa 23 Ntwarante

**FDLR** :*Urunani ruharanira demokarasi yo kubohoza u Rwanda*

**VBGs** : ***Ihohoterwa rifatiye ku gitsina***

**CENI** : Umugwi w'igihugu wigenga ujejwe gutegura amatora

**CEPI** : Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora mu ntara

**CECI** : Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora mw'ikomine

**VB** :Akazu k'amatora

**ECOFO** : Ishure shingiro

# I. INTANGAMARARA Y'ICEGERANYO

Iki cegeranyo ku gateka ka zina muntu mu Burundi kuva mu kwezi kwa Nzero gushika Ntwarante 2026, kiragaruka ku burenganzira bw'abantu no muri politike hamwe n'uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama.Iki cegeranyo kirangiza mu mpera n'ugusozera hamwe n'ibisabwa.

Gutyo,agateka ka zina muntu karatitutse bimwe biteye ubwoba:haharuwe n'imiburiburi abantu 111 bishwe harimwo abatoye ibiziga 60,mu bishwe 86 ni abagabo n'abagore 25.Mubakozweko n'amabi,40 barakubaguwe bifatiye kugitsina, harimwo 30 bafashwe kunguvu b'abana,abantu vyakozeko ni abagore 38 hamwe n'abagore 6.


Ibindi biharuro harimwo abantu bafashwe bunyamaswa,abakorewe ayandi mabi atagira izina,abantu 14 banyurujwe canke babuze irengero,hamwe n'abantu 9 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko.

N'aho abakorewe ayo mabi benshi hataboneka aho bahengamiye muri politike,twomenya ko abanywanyi b'imigambwe batasizwe inyuma,abo mu mugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD: 6 bishwe, 2 banyurujwe, 8 bakorewe amabi afatiye ku gitsina na 3 baborejwe igufa.

Haragirizwa kandi abanywanyi b' Imbonerakure, abantu bo mu ntwaro,abakozi b'igendereza ry'igihugu,hamwe n'abapolisi,bafatwa nk'abahonyanga agateka ka zina muntu ahanini bakanagirizwa n'ubwicanyi bwibonekeje.

***Igicapo1 : Ikigara cerekana ahanini ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu ryibonekeje mu Burundi mu kiringo ca Nzero gushika Ntwarante 2026***

| Ahabereye amabi / Intara | Igitigiri c'abakozweko | | | | | Bose hamwe |
|---|---|---|---|---|---|---|
| | Uguhagar - ikwa | Ukunyuruzwa | Ukuborezwa igufa | Ubwicanyi | Amabi afatiye ku gitsina | |
| Buhumuza | 1 | 1 | 3 | 14 | 0 | **19** |
| Bujumbura | 5 | 9 | 1 | 30 | 8 | **53** |
| Burunga | 0 | 4 | 0 | 18 | 12 | **34** |
| Butanyerera | 3 | 0 | 0 | 12 | 8 | **23** |
| Gitega | 0 | 0 | 4 | 37 | 12 | **53** |
| **Zose hamwe** | **9** | **14** | **8** | **111** | **40** | **182** |



*I. INTANGAMARARA Y'ICEGERANYO (Ibikurikira urupapuro 5)*


Kuri bose 182 bakozweko n'amabi yatohojwe muri kino kiringo c'igice ca mbere c'umwaka wa 2026,111ni abantu bishwe,40 ni abantu bakorewe amabi afatiye ku gitsina harimwo 30 bafashwe ku nguvu,abantu 8 bafashwe bunyamaswa,14 banyurujwe n'abantu 9 bahagaritswe.

Intara ya Bujumbura n'iya Gitega ziri kw'isonga ku bantu 53 bakorewe amabi imwe imwe,harimwo kuri Bujumbura abantu 30 bishwe,1 yaborejwe igufa, n'abantu 8 bakorewe amabi afatiye ku gitsina, 9 banyurujwe n'abantu 5 bahagaritswe bakongera barapfungwa biciye kubiri n'amategeko.

Intara ya Gitega yiswemwo abantu 37,12 bakorewe amabi afatiye ku gitsina,4 baborejwe igufa.Intara uya Burunga ifise ikibanza ca kabiri ku bantu 34 bakorewe amabi bagizwe na 18bishwe,12 bakorewe amabi afatiye ku gitsina ,4 banyurujwe.
Ubugir 4 haza intara ya Butanyerera yaharuye abantu 23,harimwo abantu 12 bishwe,8 bakorewe amabi afatiye ku gitsina,n'abantu 3 bahagaritswe.

***Igicapo 2 : Ikigara cerekana ahanini abagirizwa amabi y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu yibonekeje mu Burundi mu kiringo ca Nzero gushika Ntwarante 2026***

| Intara | Abo mu ntwaro | Aba-polisi | Iyindi migwi | Abantu bata-menyekanye | Imbonerakure | Ukwica abana | Ukwiha-nira | Ukwihora-na | Aba-sirikare |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 2 | 2 | 0 | 7 | 6 | 0 | 1 | 4 | 0 |
| Bujumbura | 0 | 3 | 10 | 17 | 8 | 2 | 0 | 3 | 2 |
| Burunga | 0 | 1 | 8 | 12 | 3 | 2 | 0 | 6 | 0 |
| Butanyerera | 1 | 2 | 2 | 8 | 0 | 2 | 0 | 4 | 0 |
| Gitega | 0 | 1 | 5 | 28 | 12 | 4 | 0 | 2 | 1 |
| **Zose hamwe** | **3** | **9** | **25** | **72** | **29** | **10** | **1** | **19** | **3** |




## I. INCAMAKE Y'ICEGERANYO (Ibikurikira urupapuro6)

***Igicapo 3 : Ikigara cerekana ahanini ivyakozwen'abo mu ntwaro nk'umuti ku mabi yakozwe***

Ku mabi 161 yaharuwe mu kiringo cafashwe,ibintu 77 nivyo vyakozwe,biri mu migwi 3 nyamukuru, kugira hatorwe inyishu.Amabi amwe yaratorewe inyishu,mugiye ayandi ariko arigwa,hamwe n'amatohoza ariko araba kugira haboneke umuti ubereye.

| Ubwoko bw'amabi | Igitigiri c'amabi | Igitigiri c'ivyakozwe | Aho atacakozwe |
|---|---|---|---|
| Uguhagarikwa | 3 | 1 | 2 |
| Ukunyuruzwa | 14 | 3 | 14 |
| Ukuborezwa igufa | 8 | 2 | 6 |
| Ubwicanyi | 101 | 43 | 58 |
| Amabi afatiye ku gitsina | 35 | 28 | 7 |
| **Vyose hamwe** | **161** | **77** | **84** |




*Uwo uri wese ubahirizwa*

# II. AMABI Y'IHONYANGWA RY'AGATEKA KA ZINA MUNTU

## II.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE

UBurundi buri mu bihugu vyashize umukono ku masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'ukwigenga na politike(1965) hamwe n'amategeko yaryo mpfatakibanza (1976) ntabanduka kuwa 9Rusama 1990,icatumye mu ntumbero yo kuyashira mungiro,uBurundi bufata ingingo ingingo mu mategeko abugenga nko mw'ibwirizwa shingiro ryo kuwa 7 Ruheshi 2018(Itegeko kizigenza) mu ngingo yaryo 19 ivuga koamategeko yose yasomwe kandi agashigwaho n'amategeko mpuzamakungu yashizweko umukono ko ashizwe ashizwe mw'iryo bwirizwashingiro, amategeko arishira mu ngiro yarashizweho nko mw'itegeko mpanavyaha ryo kuwa 29 Kigarama 2017 no mw'itegeko rishira mungiro ibihano ryo kuwa 11 Rusama 2018 hamwe n'ayandi mashirahamwe akingira agateka ka zina muntu mu Burundi yarashizweho.

### *II.1.1 UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.1. 1. UBWICANYI BUTEGUWE*

*Itegeko riravuga, agateka k'umuntu gategerezwa kubahwa kandi kagakingirwa na Reta no mugihe kahonyanzwe ibihano bitegerezwa gukwirikizwa ku bahonyanze ako gateka,ingingo ya 21 y'itegeko shingiro ry'igihugu.*

Mu kiringo cafatiweko,umuhari Iteka watohojwe ubwicanyi bwabaye incuro 101 ku butaka bwose bw'igihugu.Kuri bose abantu 111 batakaje ubuzima,abantu 93 ni abakuze hamwe na 18 b'abana.

Intara zakozweko gusumba izindi ni Gitega na Bujumbura ku ncuro 37 na 30 uko zikurikirana ,hagakwirikira Burunga ku bantu 18 , na Buhumuza ku bantu 14 hagaca hahereza intara ya Butaanyerera ku bantu 12 .

Ivyo biharuro bibabaje vyerekana ukubura ishaka muri politike yo gukingira agateka ka zina muntu mu Burundi.

***Igicapo 4 : Ikigara c'abantu bishwe n'abicanyi bataramenyekana ,abishwe n'abo muri Reta,abishwe kubera ukwihora,abishwe kubera ukwihanira ,ubwicanyi bwkorewe inzoya hamwe n'abundi bwicanyi bwakorewe abana.***

| Intara | Incuro habaye ubwicanyi | Igitigiri c'abishwe | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Ubwicanyi | Ibiziga | | |
| **Buhumuza** | **14** | 11 | 3 | 9 | 5 |
| **Bujumbura** | **24** | 15 | 15 | 28 | 2 |
| **Burunga** | **15** | 5 | 13 | 11 | 7 |
| **Butanyerera** | **11** | 6 | 6 | 8 | 4 |
| **Gitega** | **37** | 14 | 23 | 30 | 7 |
| **Bose hamwe** | **101** | **51** | **60** | **86** | **25** |



***II.1.1 UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupapuro 8)***

***Uburororo buvyerekana:***

**Ivyakozwe n'igipolisi**

***Ak1:*** Kuwa 17 Nzero 2026, hafi igihe c'isaha 5 z'ijoro,umusirikare yararashe umunyagihugu ,aca arahwera,ku mutumba Gakungwe, muri zone Ramba, komine Mugere, intara Bujumbura.Uwo musirikare yakorera aho acunga DIFO,kiri kuri uwo mutumba,ku nkengera y'ibarabara ry'igihugu RN3,Kuri iyo saha,umunyagihugu wo ku mutumba Ramba,yitwa Eric,yatshe n'amaguru yanyoye akarahuri mu Ruziba.Ashitse ahantu uwo ajejwe umutekano yari ari,yaramuhagaritse.Ugushamirana vyarakwirikiye,mugihe abo uko ari 2 bari baborewe.Ni muri ico gihe uwo yaciye arasa Eric,yapfuye kubera ibikomere.Amaziko y'umuhisi y'umuhisi yategekanijwe kuwa 19 Nzero 2026.Umuryango w'umuhisi usaba ko uwo yabahekuye yomenyekana,ko yojanwa kwishura ivyo yakoze mu butungane,kandi ko yohanwa hakwirikijwe itegeko ngenderwako.

---

**Ivyakozwen'urwaruka rw' Imbonerakure**

***Ak2:*** Mw'ijoro ryo kuwa gatanu igenekerezo rya 23 Nzero 2026,umugwi w'Imbonerakure waragize igitero bakoresheje igisasu ntezwantoke k'umuryango wa Ntadugira Isaac na Macumi Anne Marie hamwe n'abana babo bava ku mutumba Bihogo, zone Gasorwe ya komine Muyinga.

Kubw'amakuru twaronkeye aho nyene,barakomeretse cane kandi umwe mu bana babo yaraciwe ukuguru.Abandi baciye banyarukanwa ku bitaro bikuru vy'i Rusimbuko ariko inyuma yaho baciye barungikwa vyihuta i Ngozi aho nyina w'abana Anne Marie yahavuye acikana. Abandi baracariko baravurwa.

Amasoko yacu avugako babiri bo muri izo mbonerakure, Harongintore Salathiel na Ndaruzaniye bose bagirizwa ayo mabi barahagaritswe, bari mw'ibohero rya Zone Gasorwe kandi baremera ikosa mugihe uwundi umwe yitwa Arnaud Toto yashoboye guhunga.

Birakenewe ko tubamenyesha ko amasoko amwe amwe avugako uyo muryango woba wagirizwa n'abadandaza babiri b'ababanyi ko woba uroga.Abo badanzaza,barabuze nyina wabo vuba kandi bavugako uwo umuryango woba ariwo wamwishe.Bamwe, bavugeko ko izo Mbonerakure zoba ziri inyuma y'urwo rupfu ,Abandi bakanemeza ko izo mbonerakure zoba zarahembwe n'abo badandaza2 kugira bakore ikibi giteye isoni.

***Ak3 :*** *Ikiziga catowe muri komine Mugina mu ntara ya Bujumbura*

Kuwa19 wo mukwezi kwa Ruhuhuma 2026 wabaye umusi mubi kuri Ciza,w'imyaka 40 avuka i Nyempundu,zone Nyamakarabo,komine Mugina.Mu buryo ubutegetsi canke igipolisi baterekanye n' amatohoza, uwishwe Ciza yaraborejwe igufa imbere yo kwicwa.

Ubwo bwicanyi bwoba bwateguwe imisi mikeya imbere hanyuma bukorwa ku musi wa gatatu kw' igenekerezo rya 18 Ruhuhuma 2026 mugihe uwo yishwe yari atashe avuye mu Gikomero,ku murwa mukuru w'agatumba Nyempundu.

Amasoko yacu adomako urutoke kuri ubwo bwicanyi bubaye kenshi muri zone yo ku mupaka,Imbonerakure ziyerereza kandi kenshi zija mu bategera abarengana bajabuka uruzi kugira

bagende canke bave mu Rwanda, zidomwako urutoke n'abanyagihugu ko arizo zakoze ubwo bwicanyi. Abo bari bafise impungenge ko uwo bishe yakunda gukora mu mirima iri ku nkengera y'uruzi Ruhwa ,yobashengeza ku gisirikare canke mu gipolisi.Abo batohoje kuva kera ku bantu bari mu busuma,mu kujabukana inzahabu n'ikawa mu Rwanda no kuri uwo mutumba,Imbonerakure zonyene nizo ziwi muri bwene ubwo bubisha kandi uwishwe yari azi bamwe muribo.

Mugihe hari icuka c'imigenderanire mibi kubera amatati mu karere kandi aho biraba Uburundi n' Urwanda, abanyagihugu b'i Mugina ,cane cane mu mazone ahana urubibe n'Urwanda asaba umukuru w' igihugu,aherutse kugenwa ngo arongore ubumwe bwa Afirika,agira ico akoze hugururwe imbibekugira barabire hamwe umutekano hagati yaKongo,Urwanda n' Uburundi kubera abarwanyi barengana nk' interahamwe za FDLR hamwe n'abakora urudandaza rwo mukinywabi bama batera ubwoba kandi vyahitanye abantu muri ayo ma zone.

**Ak 4:**Inkuru yashikiriye ishirahamwe Iteka kuwa 4 Ruhuhuma 2026, ivugako ibara ryaguye kubwo ingaruka zikomeye z'ubutungane bubi hamwe n' abantu vyabaye kuwa 28 Nzero ku mutumba na zone Buhindo,komine Cibitoke,mu ntara ya Bujumbura.

Jean-Pierre Ntahiraja w'imyaka 40 kandi ni se w' abana 4,yarapfiriye mw'ibohero rya zone inyuma yo gufatwa kubera amahane bafitaniye n'uwo bubakanye. Iryo bara ryrateye agashavu mu banyagihugu hanyuma bivyura impari ku mabi akorerwa muguhagarikwa.

Kubw'amasoko menshi yaho ahurira hamwe,ibintu vyabaye mugihe uwo yapfuye yaramaze iminsi bashwana n' umugore. Imbonerakure 2 batazira Ndakurasa na Kazoviyo boba baraje gutabara I muhira muri uwo muryango. Boba barafashe n'inguvu nyinshi n'inguvu Jean-Pierre Ntahiraja, baramuboha kandi baramukubita cane.baranamukomeretsa.Yakomeretse cane kandi adashobora kuvuga,uwo mugabo yajanywe mw'ibohero ya zone Buhindo,ata buvuzi nabumwe aronse. Bukeye bwaho,bamusanze yacikanye mu cumba yarimwo,imbere yuko aronswa ubuvuzi na bumwe.

### Agashavu k'umuryango hamwe n'ubutungane

Ubimenye,umuryango w'uwo yapfuye waciye ushika aho vyabereye n'umubabaro mwinshi bivanze n' umwiheburo. Abamwegereye boba barageragеje kuja gufata izo mbonerakure zibiri zagirizwa kumukubita, baciye bahunga imbere yuko bahashika.

Abajijwe n'indongozi,umupolisi ajejwe gucunga ibohero yavuzeko uwo yapfuye bamumuhaye atansiguro yaba ivyerekeye ivyatumye ahagarikwa,haba n'uburwayi bwiwe. Bagiheza amatohoza ya mbere,uyo mupolisi yaciye apfungwa kubera atatabarije umurwayi.

Umugore w'uwo yapfuye,ariwe bari bafitaniye amahane mu rugo,yabaye intandaro y'iryo pfungwa,nawenyene yarahagaritswe kumvo z' amatohoza. Umuryango wabuze,ushigikiwe n' ababanyi,usaba kuhagarika vyihuta izo imbonerakure 2 zikekwako icaha zahunze hamwe no kubashengeza imbere y' ubutungane,kugira ngo haboneke umuco kucatumye uwabo apfa.

Kubw'amasoko yaho,musitantere hamwe na Komiseri wa komine Cibitoke,Éloge Najeneza, yaremeje ko intwaro zo muri komine zikorera hamwe n'igiporisi ndetse n'inzego z'ubutungane.

Yemerako umuntu wese yoba ari muri ubwo bwicanyi bazomenyekana ,bagafatwa hama bagakurikiranwa nk'uko amategeko abitegekanya.

Mukurindira ikizova mu matohoza,Iryo bara rivyura amakenga kuvyerekeye ukwubahiriza agateka kazina muntu, kugukoresha igikenye birenze hamwe n'ukuntu amabohero ameze mu ma zone amwe amwe y'igihugu.


*II.1.1.2. UKUNYURUZWA HAMWE N'UKUBURWA IRENGERO*

*Ibwirizwa shingiro ry'u Burundi mu gace karyo ka 38, rirarekurira umuntu wese,gutunganirizwa co kimwe n'abandi kandi akumvirizwa kandi agaciribwa urubanza mu gihe gitegekanijwe.Ariko,ku rubuga,ubunenge muri ico gisata buruzuye.*

Mu gice ca mbere c'umwaka 2026,kiva muri nzero gushika muri Ntwarante,umuhari Iteka wiheje ukunyuruzwa ririmwo igipfungu.Ibiharuro,vyerekanywe mu kibabaho n'ikigara bikurikira,vyerekana n'imiburiburi abantu 14 banyurujwe canke babuzwe irengero.

Intara ya Bujumbura yarakozweko bidasanzwe,ku bantu 9 babaruwe,ikurikirwa na Burunga aho abantu 4 babuzwe irengero,hanyuma Buhumuza ku muntu 1.Ababarura badomako urutoki,ku ncuro imwe,Imbonerakure,mugihe ku zindi ncuro 13,abagirizwa boba ari abantu batamenyekanye, bishobora kuba bifitaniye isano n'igendereza,kubwo uko vyabaye mu buryo

| Intara | Abanyurujwe | Igitigiri c'abakorewe amabi | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| **Buhumuza** | **1** | 1 | 1 | 0 |
| **Bujumbura** | **9** | 9 | 7 | 2 |
| **Burunga** | **4** | 4 | 2 | 2 |
| **Butanyerera** | **0** | 0 | 0 | 0 |
| **Gitega** | **0** | 0 | 0 | 0 |
| **Zose hamwe** | **14** | **14** | **10** | **4** |




***Uburorero kavyerekana :***

**Ivyakozwe n'urwaruka rw'Imbonerakure**

***Ak1:*** Kuva kuwa 1 Nzero 2026, ku mutumba na zone Murama, komine Muyinga, intara Buhumuza, Rukundorwimana Egide, umuhungu wa Nikonarusanze Fabien na Ngendamubansi Marie, umugabo wa Kabagabire Emelyne avuka ku mutumba Mugongo Zone Kamara muri komine Butihinda, yarabuzwe irengero.

*II.1.1.2. Ukunyuruzwa n'ukuburwa irengero (Ibikurikira urupapuro 11)*

Kubwo ivyabona vyaho,kuri uwo musi,uwo yarahamagaye umugore wiwe amubarira ko abangamiwe amusaba amahera angana 20.000F kuri nomero ya Lumicash 69278819 yaHatungimana Vincent, Imbonerakure yo ku mutumba Ryabihira, Zone Murama,komine Muyinga intara ya Buhumuza kugira amugombore.

Umuryango w'uwabuzwe irengero waratabaje umukuru wa zone Murama yabikwirikiranye hamwe no muguhamagara iyo mbonerakure yishuye ko bari kumwe kandi atangorane n'imwe ihari.

---

## *Ivyakozwe n'abatamenyekanye*

***Ak2 :*** Ku musi wa mbere igenekerezo rya 23 Ntwarante 2026, hafi y'isaha zine z'umutaga, muri karatiye Nyakabiga 1, iri kw'ibarabara rya 4 muri komine Mukaza, mu ntara ya Bujumbura, Ciza Bogoss, w' imyaka 28 kandi akora amaradiyo n' amaterefone,yarafashwe hakoreshejwe igikenye n'abantubambayeumwambaro w'igiporisi c'igihugu c'Uburundi.

Kubw'ivyabona vyo mu karere,uwo yanyurujwe yarikumwe n'abandi baba kuri iryo barabara hanyuma yurizwa ku nguvu ingendeshwayo mubwoko bwa double cabine,yaciye bunonyene igende igana ahantu hatamenyekanye. Kubw'intahe twaronse mu babanyi no mu muryango,iryo nyuruzwa rijanye n'icuka cari kihari.Amatati uwanyurujwe yarafitaniye n'umubanyi,Jean de Dieu, alias « Gisukari ».

Ayo matati ,ubwambere vyari ivyabo,munyuma birahinduka kubera ibitutsi vyatutswe nyina wa Ciza , bituma barwana hagati yabo. Twobamensha ko uvyo bapfa n' umubanyi vyari bimaze gushika mu butungane bubijejwe igihe ivyo vyaba. Ukujamwo abantu bambaye umwambaro uzwi mu bisa n'inyuruzwa bitera amakenga kw' ikoreshwa ry'abajejwe umutekano mu matati yo hagati yabo.Umuryango n'ababa mu Nyakabiga bamenyesha ko ari ihonyangwa ry' intambuko z' ukurengukishwa zizwi n'amageko kandi bagatinya ko Ciza ashobora gukubagurwa.

Abegereye uwo yanyurujwe basaba ubufasha bw' indongozi mu ntwaro hamwe n'umutekano bwo kurondera uyo musore,kwubahiriza uburenganzira bwiwe nshingiro hamwe n'ugukurikirana urubanza rwiwe ataguhengama bakurikije ingingo za Reta zubahiriza agateka k'abanyagihugu.

***Ak3 :*** Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 24 Ruhuhuma 2026 imenyesha ko kuwa 22 Ruhuhuma 2026,Eric Cubwa,w'imyaka 50,umuntu akomeye cane i Nyanza-Lac, ntawuzi irengero ryiwe. Umuryango wiwe,atamakuru yiwe,bavuga ko yanyurujwe kandi basaba indongozi gutanga umuco kw'iryo nyuruzwa. Uwo yanyurujwe,umudandaza akaba n'umunywanyi akomeye w'umugwi w'abarovyi I Kabonga,yabuzwe irengero mu bihe biyobeye. Ava ku mutumba Kabonga,muri zone Kabonga, muri komine Nyanza, mu ntara ya Burunga, Yari se w'abana 15 kandi yarongoye abagore 2,umwe aba ku mutumba Kabonga, uwundi muri karatiye Mayengo, ku mugwa mukuru wa komine.

Uwahoze ari umurwanyi yarungitswe inyuma y'intambara ya 2005,umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD,yarazwi mu karere ku mvugo yiwe ananegura n'intwaro mugambwe hamwe n'ukwiyemeza gukingira inyungu z' abarovyi,igisata gikomeye muri ako karere ko kunkengera y'ikiyaga Tanyika.Kubw'ibishingantahe vyo mu muryango wiwe,kuwa 22 Ruhuhuma hafi y'isaha imwe z'umugoroba,ingendeshwa yo mu bwoko bwa pick-up y'ibiyo bitabona,itagira imparati yahagaze imbere y'I muhira. Abantu batamenyekanye bamwurije imodoka nta nsiguro n' imwe,imbere yo yo kuyikira mu nzira itazwi. Abamwegereye baragwije ingendo ku ndongozi zo mu ntwaro zaho hamwe no mu giporise,ariko nta nkuru itomoye n'imwe baronse. Umubabaro urongerekana mu muryango,bemeza ko ata makuru yiwe gushika uwo munsi. Gushika aho,indongozi mu ntwaro hamwe n'igiporisi ntibari bwavuge ku mugaragaro iryo nyuruzwa.

### *II.1.2.UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAKURWA*

*Uburenganzira bwo kudahohoterwa ku rukoba bukingiwe mu Burundi n'amategeko yo mw' ibwirizwashingiro hamwe n'amasezerano mpuzamakungu. Ibwirizwa nshingiro ry'Uburundi rikingira uburenganzia ku buzima,ku mw' idegemvyo hamwe n'umutekano wa muntu. Rirabuza ugukubagurwa,ugufatwa bunyamaswa n'ayandi mabi. Itegeko mpanavyaha ryo mu Burundi ririyamiriza ihohoterwa ryo ku rukoba,nk'amabi ateguwe,ugukubitwa no gukomeretswa hamwe no guhohoterwa bifatiye ku gitsina.*


#### *II.1.2.1. UKUBOREZWA IGUFA,UGUPFUNGWA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI ATAGIRA IZINA*

***Igicapo 6 : Abantu baborejwe igufacanke bapfunzwe canke bafashwe bunyamaswa n'ayandi mabi mu kiringo ca Nzero gushika Ntwarante muBurundi***

Bose hamwe,abantu 8 nibo baborejwe igufa, bafatwa mu nyamaswa hamwe n'ayandi mabi ku butaka bwose bw'igihugu mu kiringo c'iki cegeranyo. Nk'uko igicapu kivyerekana hamwe n'ikigara gikurikira,umuhari Iteka waharuye.mu kiringo c'aya meze atatu ya mbere,abantu8 baborejwe igufa canke bafashwe bunyamaswa,canke n'ayandi mabi.Intara zakozwe ko cane ni Gitega, ku bantu 4 , ikurikirwa na Buhumuza, ku bantu 3 , ubwanyuma haza Bujumbura, ku muntu 1. Twobamenyesha ko muri abao bahuye naayo mabi harimwo abanyagihugu basanzwe hamwen' abanywanyi ba CNDD-FDD. Ku biraba abakoze ayo mabi,incuro 4 zagirijwe n' imbonerakure,urwaruka rw'umugambwe uri ku butegetsi,mu gihe incuro 2 zagirizwa abaporisi.Abakorewe ayo mabi boseni abagabo.

| Intara | Ababorejwe igufa | Igitigiri c'abakorewe amabi | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| **Buhumuza** | **3** | 3 | 3 | 0 |
| **Bujumbura** | **1** | 1 | 1 | 0 |
| **Burunga** | **0** | 0 | 0 | 0 |
| **Butanyerera** | **0** | 0 | 0 | 0 |
| **Gitega** | **4** | 4 | 4 | 0 |
| **Zose hamwe** | **8** | **8** | **8** | 0 |

*II.1.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA (Ibikurikira urupapuro13)*




***Uburorero buvyerekana:***

**Ivyakozwe n'abapolisi**

***Ak1 :*** Kuwa kabiri,igenekerezo rya 3 Ruhuhuma 2026,ku mutumba Rwamura,uwugendesha ipikipiki azwi kw' i zina rya BIZIMANA Pierre,avuye kw'isoko yo mw' ishinge yaguye mu karwi k'abantu bambaye umwambaro w'igiporisi.Umwe muri abo baporisi yaradugije ukuboko kugira ngo amuhagarike nawe aranka kubera hari ahantu muri kibira ca Ruvubu kandi yibazako boba ari abasuma kubera abantu benshi baramaze kwibwa ivyabo muri ako karere.Umuporisi inyuma yo kubona ko uyo agendesha imoto yanse guhagarara,yamuteye inkoni nini ,aca abura ukwo abandanya n'ipikipiki yiwe hanyuma aca agwa mu muvo.

Aband ba porisi babiri bari binyegeje impande y'ibarabara baciye batangura gukubita uwo atwara ipikipiki gushikaho ata ubwenge bamwagiriza ko yanse guhagarara. Umugendesha ipikipiki yarajanywe ku bitaro vya komine kigamba,ariko yararemvye cane,yaciye arungikwa ku bitaro vyo mu Cankuzo aho gushika ubu arwariye mu cumba c' indembe.

Muri ico kibanza,abaporisi bama bafise iyo ngendo yo guhagarika abagendesha amapikipiki n'amamodoka avuye mw'isoko ryo mw'ishinge kandi ko rimwe rimwe babategeka kuriha amahera.

Isoko ryo mw'ishinge ni isoko ryagenewe kudandazwamwo ibiyungwa bito bito kandi rirama iminsi yose kuwa Kabiri.Abaporisi bakoze iryo bara ni MURENGERANTWARI Alfred, RIVUZUMWAMI Jean Bosco na BUHIGI Thaddée bose bo muri komisariya ya komine Kigamba.

Abanyagihugu muri rusangi cne cane n'abagendesha ipikipiki n'amamodokari basaba indongozi mu giporisi mw'iyo komine kugarukana indero mu bantu babo kubera bafise iyo ngendo yo gusaba amahera abanyonzi atamvo ifashe kandi ata gitasi batanze.

## *II.1.2. UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAGURWA (Ibikurikira urupapuro14)*

***Ak2 :*** Kuva 4 Ntwarante 2026, hafi y'isaha zine z'umutaga,ku murwa mukuru wa komine Mwaro, mu ntara ya Gitega, uwugendesha ipikipiki yitwa yari Hakizimana, yari imbere y'ubudandarizo aho badandaza isima.

Kubw'amasoko yaho,ipikipiki yari impande yiwe kandi umuporisi wo muri komisariya y'intara ya Mwaro yitwa Berchmans afise motorola ku musipi,yaraje hanyuma afata n'inguvu kw'izosi ry'uwo agendesha ipikipiki kugira amwake ku nguvu urupfunguruzo rw'ipikipiki yiwe. Uwo agendesha ipikipiki yatanguye gutabaza,ariko inyuma yaho,ntiyaragishoboye gusohora ijwi kubera umuporisi yamunize cane kw'izosi.

Nkuko kuwa gatatu ari umunsi umwe w'isoko mu ndwi yose muri komine Mwaro, bidatevye abantu isinzi bari impande y'imanganzini abagenda n'abava kw'isoko,baregereye kugira babaze ico bapfuye. Niho gutyo umuporisi yagenda asa n'uwushavuye kubera uwo agendesha ipikipiki yanse kumuha urupfunguruzo rw'ipikipiki yiwe,ariko agasaba ko umuporisi yogenzura ibiranga ipikipiki. Abari ngaho baraneguye ingendo y'uwo muporisi bemeza ko naho uwo w'ipikipiki yoba yakoze ikosa,ntiyari kumugira nk'uko kubera uwo agendesha ipikipiki ashobora gupfa anizwe.

Amakuru amwe amwe avuga ko uwo muporisi

Berchmans ari mu bwoko bw'abatwa kandi aho aca hose imbere y'uko yungururizwa i Mwaro, afise akageso ko guhohotera abantu.

---

**Amabi yakozwe n'imbonerakure**

***Ak3 :*** Kuwa gatatu,igenekerezo rya 4 Ruhuhuma 2026,ku gacimbiri Nyamugari,umutumba Rusagara,zone Kigamba, mu ntara ya Buhumuza,uwitwa MAJAMBERE Fidele yaraguye mu mutego w'abagizi ba nabi hafi y'isaha 2 z'ijoro aho yari atashe avuye ku mugwa wa kigamba uri ku mugwa mukuru wa zone Kigamba(yahoze ari komine Kigamba).

Ashitse nko ku metero 50 yo ku muhana iwe,uwo yashikiwe nayo mabi yaguye mu mutegeko w'abagizi ba nabi munyuma abo banyuma baramutemye n'imipanga ku mutwe,mu maso,kw'izosi n'ahandi.

Abo bagizi ba nabi bari binyegeje mw'ishamba riri mw'ako karere rigizwe n'imikaratusi vy'uwitwa Ferdinand. Abo babisha barahunze inyuma yogukora iryo bara kubera abanyagihugu baho baciye bashwabaduka inyuma yukwumva urwamo w'uwo yakorewe ayo mabi.MAJEMBERE Fidèle yajanywe ku bitaro vya komine Kigamba aho ariko aravurirwa. Muri abo bagizi ba nabi,Fidele yarashoboye kumenyamwo NDUWIMANA Calixte kandi uyu nawe yarahagaritswe bukeye bwaho. Ubu ari mw'ibohero rya zone Kigamba aho inyamiramabi iriko irakurikirana urubanza rwiwe. Uwikekwa ko iryo shano,yama yavuzwe mu mabi nk'ayo.Twobamenyesha koNDUWIMANA Calixte ari mu ndongozi z'urwaruka rw'imbonerakure kuri uyo mutumba. Kubw'uyo yahuye n'ivyago ,nta mugambwe n'umwe wa politike arimwo mugabo imbere ya 2015,yari umunywanyi w'umugambwe MSDmuri komine Kigamba kandi yari mu ndongozi z'uyo mugambwe ku mutumba Rusagara.

Urwaruka rw'imbonerakure ruradomwako urutoke kubera ari bo bakizura mw'ijoro muri ako karere. Abanyagihugu basaba indongozi hamwe n'abajejwe umutekano ko komeza umutekano.

***Ak4:***Mw'ijoro ryo kuwa 21 Ruhuhuma 2026 muri karatiye Sanzu III, ya komine Ruyigi, mu ntara ya Buhumuza, Clovis Kwizera wo muri iyo karatiye yarakubiswe n'urwaruka rw'imbonerakure harimwo Isaïe Nsengiyumva,arongoye Imbonerakure muri Karatiye Sanzu, Jimmy, Eliudi na Claude bamwagiriza kurenza amasaha yo kwugara ubudandarizo bwiwe.

Clovis Kwizera ubu ari mu bitaro bikuru vya Ruyigi mu cumba nomero 12 mu buvuzi bwo mu bitaro.Muri abo bakoze iryo bara,ntanumwe yahagaritswe gushika ubu kandi abanyagihugu bo muri karatiye Sanzu basaba ko ubutungane bwokora ico bujejwe cane cane ko atari irya mbere izo mbonerakure zivugwa muri ubwo bubisha.


### *II.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATA KU NGUVU*

*Itegeko rijanye n'amabi afatiye ku gitsina yashizweho Burundi muri 2016 ryarerekanye intambwe.Ryiyemeje gukingira ayo mabi, nko mugutanga indangurakintu ryo gufatwa kunguvu mu gufata mu ntoke ikibazo c'abiyumvikanira hamwe n'imigenzo ya kera yataye igihe.*

Mu kiringo kigizwe n'iki cegeranyo,amabi afatiye ku gitsina (VBG) yaribonekeje ku rugero ruteye ubwoba. Umuhari Iteka waharuye incuro 35z'amabi afatiye ku gitsina,harimwo abakorewe amabi bangana40 ku butaka bwose bw' Uburundi.Muri abo 40,30 ni abana ,bafashwe ku nguvu hamwe n'abantu 10 bakuze bakorewe amabi afatiye ku gitsina. Nkuko ikigara gikurikira kivyerekana,intara za Burunga na Gitega ziza kw'isonga ku ncuro 12 kuri imwe imwe, agakurikirwa n'intara ya Bujumbura na Butanyerera,ku ncuro 8 kuri imwe imwe. Mubakorewe amabi, haharuwe abagore 39 n'umugabo1 .

***Igicapo7 : Ikigara cerekana abantu bakorewe amabi afatiye ku gitsina***

| Intara | Abakorewe amabi afatiye ku gitsina | Igitigiri c'abagize ivyago | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Amabi afatiye ku gitsina | Ugufatwa ku nguvu | | |
| **Buhumuza** | 0 | 0 | 0 | 0 | 0 |
| **Bujumbura** | 6 | 0 | 8 | 0 | 8 |
| **Burunga** | 12 | 3 | 9 | 0 | 12 |
| **Butanyerera** | 7 | 0 | 8 | 0 | 8 |
| **Gitega** | 10 | 7 | 5 | 1 | 11 |
| **Zose hamwe** | **35** | **10** | **30** | **1** | **39** |




## Ivyakozwe n'abapolisi

***Ak1:*** Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 23 Ntwarante2026, ivuga ko kuwa 20 Ntwarante umwaka wa2026, umukobwa muto yitwaT.N ava ku mutumba Rorero, muri zone Kabarore, muri komine Kayanza,mu ntara ya Butanyerera yarafashwe ku nguvu n'umuporisi Nzambiama Édouard w'imyaka 40 akorera muri zone Kabarore. Amakuru twaronse ku bavyeyi biwe harimwo Mpawenimana Sereverin na Ciza Speciose avuga ko umubanyi wabo Miburo Consolatte yagirwa kubera yahamagaye uwo yakorewe amabi iwe hanyuma aca abugarana n'uwamufashe ku nguvu. Nzambiama Édouard na Miburo Consolatte barafashwe n'igiporisi uwo munsi nyene hanyuma bajanwa mw'ibohero rya komisariya y'igiporisi mu kayanza

## *II.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATA KU NGUVU(Ibikurikirira urupapuro 16)*

**Ivyakozwe n'urwaruka rw'Imbonerakure**

***Ak2:*** Kuwa 20 /01/ 2026, ku mutumba Rwuya, muriZone Mbuye ya komine Muramvya, umukobwa w'imyaka 14 yarafashwe ku nguvu. K. A, umunyeshure wo mu mwaka w' 8 kw'ishure shingiro Rwuya, yarafashwe ku nguvu n'uwugendesha i pikipiki yitwa Niyokindi Richard, afise imyaka 32 , umunywanyi w' Imbonerakure za Cndd-Fdd. Vyabaye hafi igihe c'isaha 1 y'umugoroba, mugihe uwagize ivyag yari avuye amakaye uwo bigana.Yahuye n'uw muntu yamusavye ko yonywa ikiyeri kukaguriro k'iRwuya,kari hafi ku metero 500 zo muhira. Munyuma,yaramwunguruje ,ariko aho kumutwara imuhira,yarahinduye inzira imenyerewe.Ashitse imbere y' agashamba,yaramuturubitse ngo amwegere aca aramufata ku nguvu.Ahejeje,yamushikanye hafi yo muhira, hanyuma uwo yaravyiganiye abavyeyi.Baciye bamujana ku kigo c'ubuvuzi vy'i Rwuya bukeye bwaho,aho ibipimo vy kwa muganga vyemeje gufatwa kunguvu. Kubwo amasoko yaho,uwakoze icaha amaze kumenya ko ariko aronderwa, yarahunze kandi n'ubu ntaraboneka gushika ubu.

***Ak3:*** Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 22 Nzero 2026 ivuga ko kuva kuwa 10 gushika kuwa 14 Nzero 2026, abana b'abakobwa 3 bafise imyaka kuva kuri 7 gushika kuri 12 barafashwe ku nguvu ku mitumba Rusenda na Masango,muri komine Bukinanyana, intara ya Bujumbura. Haciye indwi 2 bibaye,imiryango iramenyesha ikubagurwa,itotezwa hamwe n'icuka c'ukudahaba bibabuza gushikira ubutungane,mugihe abakorewe amabi bose ari abana ba nyarucari.

Kubwo amakuru dukurayo,2 bo mubagize ivyag boba batewe mugihe bariko barasenya,mugihe uwa 3 yoba yafatiwe ku nguvu ariko aja kw'ishure.Kubona abana barashoboye kuronka ubufasha bw'ubuvuzi,abikekwa ko icaha ntibabaye umwanya,bamwe barahunze abandi bararekuwe bahejeje kubazwa.Imiryango,iva ahantu hagoye,yemeza ko ikorerwa iterabwoba ribabuza gikwirikira inzira z'ubutungane.Ivyo bizana ubwoba n'agacerere,biboneka ko bihushanye n' uburenganzira ntayegayezwa bw'abana,nk'uburenganzira bwo gukingirwa amabi yose,bahabwa n'amategeko y' igihugu na mpuza makungu. Ababanyi bashikiriza ko ukudahana bibandanya,kandi bahamagarira abarongoye ubutungane gukora bivuye inyuma.Basaba amatohoza yigenga,gukingira abononywe hamwe n' imiryango yabo,mbere no gukwirikirana biboneka abikekwa ko ivyaha.

Hejuru y'ivyo,urwo rubanza ruratuma bibaza uruhara rwa Reta mu kuronsa ituze abana. Ku ronsa ubutungane abo bana ,si uguhana abakoze icaha vyonyene,ariko kandi ni ukwemera koo gukingira abana bibwirizwa kuja hejuru y' ibintu vyose vyo mu mibano na politike.


## *II.1.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO*

### *II.1.3.1 UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*

*Amategeko mpuzamakungu n'ay'igihugu mu Burundi aremera ingingo y'ubwere gushika habonetse ingingo iyivuguruza,kandi ko gupfungwa bitokwihutirwa.*

Mu kiringo iki cegeranyo cafatiye,umuhari Iteka waharuye ihagarikwa incuro 9,harimwo abagabo 8 n'umugore 1. Abantu bikekwa ko boba bari mubabahagaritseni abaporisi,bagirwa na babiri muri izo ncuro,hamwe n'urwaruka rw'imbonerakure,bari muyindi ncuro. Mu ntara,Bujumbura iza imbere nk'iyaharuwemwo amabi menshi,ku bantu 5 bakorewe amabi,hakurikira Butanyerera ku bantu3 bakorewe amabi. Ubwanyuma, i ntara ya Burunga hakorewe amabi umuntu umwe.

| Intara | Incuro bahagaritswe | Igitigiri c'abahaga-ritswe | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| **Buhumuza** | **1** | 1 | 1 | 0 |
| **Bujumbura** | **1** | 5 | 4 | 1 |
| **Burunga** | **0** | 0 | 0 | 0 |
| **Butanyerera** | **1** | 3 | 3 | 0 |
| **Gitega** | **0** | 0 | 0 | 0 |
| **Zose hamwe** | **3** | **9** | **8** | **1** |




***Cas d'illustration :***

***Ak1 :*** Kuva kuwa 18 Ruhuhuma 2026,abamenyeshamakuru 2 bazwi kw'izina rya Olivier Manirambona na Aline Niyonizigiye, afata amasanamu kandi yonsa w'ikimenyeshamakuru Jimbere, barapfunzwe mu mabohero yo muri zone Ngagara, mu ntara ya Bujumbura.

Kubw'amasoko yaho,abo bamenyeshamakuru bahagaritswe na parake ya Ntahangwa mugihe bariko bakurikirana ishirwa mu ngiro ry'urubanza rw'itongo rumaze imyaka 21, rwahawe sentare nkuru ya Ntahangwa,iri mu buraruko bw'igisagara ca Bujumbura,umurwa mukuru w'ubutunzi w'Uburundi. Abo bamenyshamakuru babiri barapfunzwe

barikumwe n'umwe wo mubafitaniye amatati Siméon Ngenzebuhoro, yahoze ari umushingamateka. Kuri uyu wa kane,kuwa 19 Ruhuhuma 2026, abo bapfungwa 3 bararengutse munrubanza rw'ikibiriraho, rungururijwe kuri uyu wa gatanu kubera kubura uwuburanira Ngenzebuhoro.Ikinyamakuru Jimbere carandikiye umushingwamanza

### *II.1.2.1 .UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO(Ibikurikira urupapuro 18)*

wa Ntahangwa kugira kimusabe kurekura abo bamenyeshamakuru ariko ntanyishu yabonetse uyo musi.

Uwurongoye ikinyamakuru Jimbere, hamwe n'abandi bakorera ibimenyeshamakuru mu Burundi baranegura iryo hagarikwa ridakurikije amategeko,bibutsa ko abo bamenyeshamakuru ata tegeko na rimwe bahonyanze kandi ko bariko bakora akazi kabo ko kumensha inkuru bigenga. Ipfungwa rya Aline Niyonizigiye, ryamutandukanije n' umwana wiwe,ntiryemewe n'amategeko kandi riteye ku biri n'uburenganzire nshingiro bw'agateka kumugore hamwe n' umwana.

Iyo tariki nyene,abandi bamenyeshamakuru 3 barahagaritswe handuma bapfungwa amasaha arenga 8 mu Kigo c'igendereza SNR i Bujumbura,mu gihe , bakurikirana urugendo Umukomiseri w'umunyaburaya d'Hadja Lahbib ajejwe kunganisha ,gutegura hamwe no guhangana n'ibihe bitoroshe. Bahamagawe mu kigo c' ubushikiranganji bw'Uburundi bw'imigenderanire,baciye bajanwa mw'ibohero ry'igendereza imbere yo kurekurwa hafi y'isaha zitatu z'ijoro. Abo bamenyeshamakuru bigenga ni : Nitanga Tchandrou, Papy Amani hamwe n' uwugendesha imodoka yabo.

Kuwa 20 Ruhuhuma2026,abo bamenyeshamakuru 2 b'ikimenyeshamakuru Jimbere nabonyene bararekuwe vy' agateganyo n'umushikirizamanza wa Repuburika Eraste Ndayiragije ; Yashikirije ko bafashe amajwi imbere y'uko abacamanza bashika aho bashira urubanza mu ngirokandi ko bazobahamagarwa bikenewe.Abamenyeshamakuru b'abarundi bariyamiriza iyo ngendo yo gukubagura abakozi b'ibimenyeshamakuru kandi bagasaba ko amategeko yokubahirizwa kugirango haboneke umwisanzuro mu kumenyesha amakuru mu Burundi. Abo bamenyeshamakuru bapfungiwe mu gasho ka zon N*gagara, mu ntara ya Bujumbura.*

*Kubw'amasoko yaho,abo bamenyeshamakuru,bahagaritswe ya Ntahangwa mu gihe bagiye gukurikirana ishirwa mu ngiro ry'urubanza rumaze imyaka 21 rutaracika,rwahawe sentare nkuru ya Ntahangwa, iri mu buraruko bw' igisagara ca Bujumbura umurwa mukuru w'Uburundi.*

***Ak2:*** Kuwa 20 Ntwarante2026,muri komine Kirundo, mu ntara nshasha ya Butanyerera, abantu batatu harimwo umudandaza 1 yitwa Nsengiyumva hamwe n'abatware 2 b'imitumba harimwo Cyriaque wo muri karatiye Rupfunda na Elias Nkurunzizan wa karatiye Bushaza bose barahagaritswe isaha zitangatu z' umutaga na komiseri w'igiporisi muri komine hanyuma burizwa ingendeshwa yo mu bwoko bwa Pick-up y'igiporisi.

Ni inyuma yaho buca biba,bari gutegerezwa kwitaba muri komisariyay'igiporisi muri komine.Mgitondo ca kare co kuri uyu wa gatanu,bose bajanywe muri komisariya bajanywe n'abarisi bari babarindiriye ku muhana w'umwe umwe.

Amasoko amwe avuga ko bajanywe i Bujumbura kandi ko boba bari mu gasho k'iperereza. Gushika ubu,ntakiravugwa kucatumye bahagarikwa. Imiryango yabo isaba ko hoboneka umuco.

**Uwo uri wese ubahirizwa**

## *II.2. UBURENGANZIRA BW'IMIBANO-UBUTUNZI N'IMICO KAMA*

*Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama bufatwa nk'uburenganzira bwo ku rugezo rwa kabiri,buri mu masezerano mpuzamakungu ajanye n'uburenganzira bw'ubutunzi,imibano n'imico kama.Uburundi bwaremeje ayo masezerano kuwa 14 Ntwarante 1990 kandi bwarayashize mw'ibwirizwa shingiro ryo mu 2018,nko mu ngingo ya 19.Ico ubwo burenganzira bwiharije ni uko bushirwa mu ngiro intambwe ku yindi,bitandukanye n'uburenganzira bw'abigenga na politike.Ama Reta yabushizeko umukono,harimwo Burundi, yiyemeje gushira mungiro ubwo burenganzira bivanye n'uburyo bafise.*

### *II.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*

Uburenganzira ku butunzi mu Burundi mu gice ca mbere co mu mwaka wa 2026,bwaranzwen'ibintu bikomeye. Muri Nzero,iyugarwa z'imbibe za Gatumba vyarateye iduga rikomeye ry'ibiciro,nk'akarorero ku bitenge,aho ibiciro vyavuye ku mahera 90.000 gushika kuri 200.000. Abadandaza,baba abarundi canke abanyekongo,barashikirije umwiheburo kubw'agasuzuguro k'ibikorwa vyabo kandi bagasaba ko Reta yo fata ingingo zo kubakura muri ako kaga.

Isekeza ry'ugufumbira rigenewe ibiterwa vy'ikawa ryatanguye,ariko ingorane rijanye n'itangwa hamwe n'akanovera k'ifumbirevyaratumye abarimye bamwe bamwe basubira ku biterwa mbumbarugo. Iyugarwa ry'urugomero rwo kuvomera mu Cibitoke ryarongereje ingorane abarimyi bahura nazo. Ku rundi ruhande,abakozi bo mu ntwaro i Burunga ntibaronseumushahara wabo haheze amezi 6.Abarimyi b'ikawa i Matongo ntabaronse umwavu kandi bakavuga ibiturire mw'itangwa ry'ifumbire ,bigatuma gutyo abandi barimyi bategekanya guhindura ibiterwa.

Mu Kirundo, intererano zo ku gahato zitangishwa n'umugambwe CNDD-FDD biratuma agashavu kaduga hamwe n'amabi yo guhohotera. I Bujumbura, umuriro waraturiye ububiko bw'abadandaza 35,bituma haba uruhombo rukomeye.

Muri Ruhuhuma,intagwa ry'ifumbire FOMI I Bururi ryarahagaritswe kubera akaguma k'abanyagihugu.Naho bamwe bari baronse ivyabo,abandi i Matanabashikirizako badashimishwa n'ingingo zo mwako karere kubijanye no kugrisha ibigori.Muri Ntwarante,ishirwako umukono ku masezerano yo gucukura ubutare bwo mu bwoko bwa Nickelryarateye uruhagarara mu gisata c'ubutare,mugihe ikori rishasha ry'ibice 16% kuw'udandaje inzahabu biteye amakenga.Ikena ry'igitoro rituma amabi mu bagendesha amapikipiki.

Kuwa 14 Ntwarante,abarimyi b'i Mwaro barateguye urugrndo kugira basabe ifumbire.Icerwa mw'itangwa ry'ifumbire ryongereza kuhakwa guterwa n'amapfa,nk'inyuma yo guhagarika ifumbire yomu bwoko bwa "urée". Vyongeye,muRuyigi, uIngorane z'isuku rike birabangamiye abadandaza baho.Ivyobintu,bishira ahabona ingorane ziguma ziyongera ziri mu gisata c'ubutunzi zibonekeje muri Ntwarante 2026.

### *II.2.2. UBURENGANZIRA KU NDERO.*

Uburenganzira ku ndero mu Burundi bwarahungabanye mu mugice giheze,nkuko bibonekera mu bihe bikurikira: Muri Nzero

2026,ingorane zaradutse,zerekana ihonyanga ry'ingingo zidakumira. Kuwa 5 Nzero,amashure yuguruye mu kajagari i Gitega,kubera itegeko ryo kwambara ibirato vyugaye,ivyatumye hirukanwa abanyeshure benshi. Ingorane zakurikiye,igitigiri cabatonda mw'ishure caragabanutse gushika ku gice kimwe kuri bitatu.,bituma bigona kwigisha. Abigisha n'abanyeshure basavye gusubiramwo iryo tegeko,bashimangirira ku mikoro make ari mu miryango.Agashavu karongere-kanye bituma abanyeshure bahakwa guheba cane amashure. I Muramvya,isuzuma ryarakozwe kuvyerekeye iyo ngingo ,hirukanwa batakurikije iyo ngingo. Abanyeshure bo ku mashure menshi,nk'ishure shingiro Biganda,ntibasubiriye kwiyandikisha kubera kubura ibirato.

### *II.2.2.UBURENGANZIRA KU NDERO (Ibikurikira urupapuro 20)*

Mu Kayanza,ingorane yasongewe isibe n'ukubura intebe.Ibintu vyari biteye amakenga ,naririya 60% y'abanyeshure bari bafise umwimbu mubi mu gice caheruka.IBurunga,abigisha bo mu mwaka w'9 bariyamirije amategeko y'umuyobozi w'indero mu ntara,Elias Ndikumana, babona ko atagira ishingiro kandi ataraba ibihe bihari.Vyongeye,amakenga yaradutse kuvyerekeye abanyeshure baja mu bikorwa vya politike mw'ijoro.Igisata c'indero carahuye n'ingorane yasongewe isibe n'igenda ku bwinshi ry'abigisha barondera kubaho neza mu mahanga.

Muri Ruhuhuma 2026,abanyeshure bagumye baja mu bikorwa vya politike.Kuwa 13,abana barabujijwe gukwirikirana ivyigwa kugira bakire umutambukanyi w'umukuru w'igihugu mugihe hari igikorwa co kwinonora imitsi,bitera agashavu abavyeyi n'amashirahamwe.Antoine Manuma ,wo muri FENASB,yaragabishije ku nkurikizi z'uko kuvanga ibintu ku kanovera k' indero.

Abanyeshure barajanywe kugira bakwirikirane amanama ya politike,bizanaicuka c' ubwoba mu bigisha.Itunganywa ry'igikenya ryashizwe mungiro ryatanze umwimbu uteye isoni,aho hafi avyicaro 500 vy'abigisha bigaragara.Abahungira mu mahanga babaye benshi,abigisha barondera ahoba akarusho mu bihugu bibanyi.

Ibiturire hamwe n'ukugenda vyarasongeye isibe.Iruhande,akajagari kariyo kerekeye inyifato itabereye y' abayobozi bamwe bamwe karateye akaguma mu mashure menshi.

Muri Ntwarante,ingorane yunyuwe y'inyika ritangaje ry'umuyobozi w'ishure rikuru ry'imyuga, Nestor Nsavyumukama.Ico kintu carateye amakenga menshi kubera gutunganya ibibazo mu kajagari.Abigisha basavye gusubira gutunganya ibibazo,bashikiriza ko bahamagara ubushikiranganji bidakozwe.Muyindi ntumbero itandukanye,umuyobozi w'iyindi shure yategetse ko abanyeshure boshigikira umugwi wo kwinonora imitsi,bitera amakenga abavyeyi.

Ibikorwa vy'ukwiyamiriza navyonyene vyaratanguye,nko mw'ishure rikuru rya Buhiga,aho abanyeshure bashikirije akababaro kabo ku bihano vy'agahotoro.Ivyo vyerekana amananiza mu ndero mu Burundi,bavanga politike n'intambamyi z'indero

### *II.2.3. UBURENGANZIRA KU MAGARA*

Uburenganzira ku magara mu Burundi bwarahungabanijwe n'ibintu bitandukanye kuva muri Nzero gushika muri Ntwarante, Muri Nzero,intara ya Burunga yahuye n'igwirirana ry' imibu,naririya benshi mu bahaba batagira imisegetera yo kwikingira malariya mu gihe c'imvura. Ivyo bigatuma abanyagihugu mu ngorane zikomeye,kuronka imiti ya marariya vyaragabanutse. Abakozi bo mugisata c'ubuvuzi bafise ibibazo vy'abana hamwe n'abakenyezi bibungenze,mu gihe hari ibihuha vy'ubusuma bw'imisegetera ija muri Tanzaniya bigatuma haba akaguma ko gusaba gutanga imisegetera vyihuse.Indongozi zemera ko hariho amazone ataronse imisegeterakandi bakemera guhinyanyura,mugihe indwara ya marariya iguma yiyongera.

Umuhari Iteka umenyesha ko igiporisi c'igihugu kitakironka ubuvuzimu bitaro bikomakomeye haciye umwaka,bategerezwa kuriha ingwati imbere yo kwinjira mu bitaro,bigatera akababaro.

Naho biri uko,ibiro bikuru vy'intwaramiheto batanga ubuvuzi ku basirikare. Indwara iyobeye yarakoze kubanyeshure barenga 500 i Gatara no mu Kayanza ifise ibimenyetso vy'akamangu kadahera.Abarongoye amashure basab ubufasha bwihuta bw'ubuvuzi,bakibutsa ko yandukira

### *II.2.3. UBURENGANZIRA KU MAGARA (Ibikurikira urupapuro 21)*

n’ingoga nka COVID-19.

Komine Muyinga ntigira amazi meza,cane cane muri karatiye Kibogoye, kandi abahaba basaba kurandurana n’imizi igiturire catumye iryo bura.

Vyongeyeye,i Mwaro, abigeme bato bakekeranya gufata ibinini vya vitamine bita fer,naho hari amakenga kw’ibura ry’ivyo binini vy’ivyunyunyu. Umuyobozi w’ishure rikuru ry’imyuga bivugwa n’abavyeyi batera intege abakobwa babo gufata iyo miti y’amezi atatu.

Muri Ruhuhma,Uburundi bwabuze imiti hamwe n’irandagata rya korera ryisubiriza i Nyanza, aho ibihe vyabaye bibi ku nkengera z’ikiyaga ca Tanganyika. Ibigo vy’ubuvuzi,birwanira kuvura abarwayi banduye indwara ya korera kubera ikena ry’imiti. Ivyo bimaze umwaka urenga aho ikigo c’ubuzima ca Nyanza-Lac cabuze imiti mu bubiko,bikagorana kuvura abarwayi. Abantu benshi kiramaze kubahitana nkuko bimenyeshwa,kandi ukubura imiti bituma ubuvuzi buta akanovera. Abahaba bashikiriza amakenga yaho kandi ba bagasaba ubufasha bwihuta bw’ indongozi kugira banagure isoko ry’imiti hamwe n’ingene bavura, bitabonetse irandagata rya korera rishobora kwongerekana cane.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

# *III. UGUSOZERA N'IBISABWA*

Mu kiringo c'iki cegeranyo,itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya ryibonekeza mu mihingo itandukanye y'igihugu.Iki cegeranyo gishira ahabona amabi ajanye no guhonyanga uburenganzira bwo kubaho,bwo kubahana ,hamwe n'ubwo kwidegemvya;uburenganzira ku butunzi,imibano n' imico kama.Twobamenyeshako muri iki gice,ko umuhari Iteka wabonye utwigoro twakozwe na Reta kugira urwanye amabi atandukanye yamenyeshejwe.

Umuhari Iteka uriyamiriza ukudahana amabi yibonekeza ukongera ugasaba ibikurikira:

**Kuri Leta y'u Burundi:**

1. Kubahiriza agateka ka zina muntu, cane cane uburenganzira ku buzima,ukwitwararikana muri vyose hamwe n'umwidegemvyo,
2. Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi hamwe n'uko abakoze amabi y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bishura ivyo bakoze,
3. Kuronsa ubufasha bw'ibanze,harimwo amazi,ubuvuzi,indero hamwe n'ubutungane ku banyagihugu bose,
4. Gutohoza no guhana bimwe biboneka amabi akorerwa abana bato vyabaye akayobera-bahinga mu Burundi abatware barorera.

**Kubafasha muvyo ubuhinga n'uburyo Reta y'uBurundi harimwo NU,UE hamwe n' abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi :**

1. Gushigikira utwigoro tw'umuhari Iteka hamwe n'ayandi mashirahamwe aharanira gukingira agateka ka zina muntu mu vyerekeye ugukwirikirana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu mu Burundi.

2. Gukoresha ububasha bwabo mukugondoza abarongozi b'uBurundi bubahirize agateka ka zina muntu bongere basezerere ukudahana.

**Ku baharanira agateka ka zina muntu:**

1. Gukurikirana ingene agateka ka zina muntu kifashe muBurundi kandi barwanire ugukingira uburenganzira nshingiro.
2. Gushira imbere gukorera hamwe kugirango ubutabazi bwabo butandukanye buskike kwihangiro kandi mu gihe gito.
3. Gutanga ubufasha kubakorewe amabi y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu hamwe no guharanira ko boshikira ubutungane.